Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°803 15 Munyonyo 2023

# Inyigisho y'Umuvyeyi wacu Papa yo ku musi mpuzamakungu ugira 7 wahariwe aboro



*Ku musi w'Imana urongora Umusi Mukuru cane wa Kristu Mwami w'ijuru n'isi, Nyenubweranda Papa yama ashikiriza Ekleziya inyigisho yerekeye « aboro ». Maze agashikiriza iyo nyigisho avuga ati :* "**Ntihaze hagire umworo n'umwe wirengagiza**"*(Tb 4, 7 )*

1. Umusi mpuzamakungu wahariwe aboro, nk'ikimenyetso kizima c'ubuntu n'ubwiza bwa Data, ushitse ubugira indwi kugira ngo ushigikire urugendo rw'imibano yacu. Ni ingendo Ekleziya iriko iramenyera gushigikiriza ubutumwa bwayo kugira iduhe gutegera ugusumba intimatima y'Inkuru nziza.

Nkako, ku musi ku musi, duhamagariwe kwakira aboro. Yamara ivyo ntibikwiye kuko ubukene butagira izina buguma buranga ibisagara vyacu kandi burushirizaho kugwira;

Soma ku Rup. 3

Abakozi ba Ndongozi

**Uwujejwe uruganda:**
* A. Noël NTIRANDEKURA

**Abamenyeshamakuru:**
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

**Uwujejwe ubuhinga:**
* Chanel HARINGANJI

**Umunyamabanga:**
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

**Umunyabigega:**
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

**Uwujejwe imigenderanire:**
* J. de Dieu NDIKUMANA

# Yubile y'imyaka 75 y'Ikigo c'Iyandikiro ry'ibitabu «Les Presses Lavigerie»

Kw'igenekerezo rya 4 Munyoyo, uko umwaka utashe Ikigo c'Iyandikiro ry'ibitabo «Les Presses Lavigerie» cama cibuka Umweranda akaba n'umuvunyi w'ico kigo Karori Boromée. Ico Kigo naco kikaba catanguye gukora kuva mu mwaka w'1948 .

Ni muri iyo ntumbero nyene kur'uyu wa gatandatu igenekerezo rya 4 Munyonyo 2023, ikigo «Les Presses Lavigerie» cari kiramutse gihimbaza yubile y'imyaka 75 kimaze gitanguye.

Kuri uwo musi, ibirori vyari bishingiye ku civugo: « Ntimugapfishe ubusa ingabirano mwahawe n'Imana ».

Uwo musi ibirori vyuguruwe n'inkuka ya misa yaherejwe na musenyeri Evariste NGOYAGOYE yahoze arongoye Diyoseze nkuru ya Bujumbura, akaba yaje aserukira uwurongoye Inama y'abepisikopi Katorika y'i Burundi, ahagatiwe n'abasaserdoti batari bake.

Mu nsiguro yatanze, uwo Mwepisikopi yabanje gukengurukira cane abami-siyonari batanguje ico kigo yongera arakengurukira abagiye barakiyobora hamwe n'abagiye barahakorera bose muri rusangi .

Mu kurangiza inkuka ya misa, Umwepisikopi

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo


- «Ubuzima rukristu mu rugo rw'umupfakazi............................................6
- Umukenyezi nahabwe iteka rimubereye.................................................8
- Kuva 2025, intara ya Gitega izoba igizwe n'amakomine 9.......................9
- Uburenganzira bw'umuntu bwo kwubahirizwa mu matungo yiwe mvabwenge.................................................................................................11

# Idominika ya mirongo Itatu n'imwe: Umwaka A

## Igisomwa ca mbere : *Imigani : 31,10-13. 19- 20. 30-31*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Imigani:

*(Umukenyezi yitonda aba ari n'agaciro)*

Ni nde azoronka umukenyezi atagira akanenge ? Ibimuciye biruta na kure ibiciye intabonwa nziza cane. Umunega wiwe yama amwishimiye, amuzeyeko ivyiza vyinshi. Iminsi yose babana, niwe gahimbare kiwe, nta magorwa azomutera. Arajisha, agateka, eka arabangutse mu bikorwa. Yamana inyuzi mu ntoke, intoke ziwe zarabererey e. Aboro abakiriza yompi, agatabara abakene. Ugushaza kurahenda, ubutore bw'umubiri na bwo ntaco bumaze ; umukenyezi akwiye gushemezwa, ni urya yubaha Umukama. Muramuronsa igice c'ivyo yakoreye ; ibikorwa vyiwe na vyo bimurange mu marembo y'igisagara.

## Igisomwa ca kabiri : *1 Abanyatesalonika 5, 1- 6*

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere Umutumwa Paulo yandikiye Abanyatesalonika :

(***Umunsi w'Umukama ntububire nk'igisuma***)

Ncuti zanje : Ivyerekeye igihe n'isango vy'amaza y'Umukama, ntimukeneye ko ndabibandikira. Namwe nyene murazi neza ko umunsi w'Umukama uzoza nk'igisuma mw'ijoro. Aho bazoba bavuga bati: « Hari amahoro, nta nkomanzi ! » niho ya makuba azobagwako giturumbuka, nka kurya imbanyi ifata umukenyezi yibungenze, kandi ntazobasiga. Ariko, mweho, benewacu, ntimuri mu muzimagiza ngo uwo munsi ububire nk'igisuma ; kuko mwese muri abana b'umuco n'abana b'umutaga : ntimuri ab'ijoro canke ab'umwijima. None rero, ntidusinzire nka ba bandi, ariko nitwame tugavye kandi nitwigerere.

# Inkuru nziza : *Matayo : 25,14– 30*

**Alleluya, Alleluya.**

- *Umukama yavuze ati: "Nimugume muri jewe nanje nzoguma muri mwebwe; uwuguma muri jewe niwe yama vyinshi."*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Matayo mweranda:

*(Washirutse ubute mu bitobito; ingo unezerwe hamwe na shobuja)*

Muri irya minsi, Yezu yaciriye uyu mugani abigishwa biwe ati : « Ibizoba igihe Umwana w'umuntu azozira, ni nk'ivy'umuntu yagira ngo amare urubanza, agahamagara abasuku biwe akabasigarana ibintu vyiwe. Uwa mbere amuha italenta zitanu, uwa kabiri amuha zibiri, uwa gatatu imwe ; eka umw'umwe ico bikwiranye. Aca aragenda. Umwe yaronse zitanu, aragenda, aracuruza yunguka izindi zitanu. N'umwe yaronka zibiri agira kuno nyene, yunguka izindi zibiri. Uwari yaronse imwe na we aragenda, yimba ikinogo, azikamwo italenta ya shebuja.

Iminsi ihaciye, shebuja wa babasuku aragaruka, abaza umw'umwe ingene yakoresheje ibintu vyiwe. Noneho, uwari yaronse italenta zitanu araza, amuhereza izindi zitanu, ati : 'Muhanyi, wari wansigaranye italenta zitanu, ng'izi izindi zitanu nungutse'. Shebuja aramubarira ati : 'NI vyiza, uri umusuku w'umutima ; ko washirutse ubute muri bitobito, nzogushinga n'ibiruta ivyo : ingo, unezerwe hamwe na shobuja.'

Umwe yari yaronse italenta zibiri na we araza ati : 'Muhanyi, wari wansigaranye italenta zibiri, ng'izi izindi zibiri nungutse.' Shebuja aramubarira ati : 'NI vyiza, uri umusuku w'umutima ; ko washirutse ubute muri bitobito, nzogushinga n'ibiruta ivyo : ingo, unezerwe hamwe na shobuja.' Umwe yari yaronse italenta imwe na we araza ati : 'Muhanyi, ndazi ko uhambara, ugesa ivyo utabivye, wimbura ivyo utarimye. Nagize ubwoba, mpisha italenta yawe mu kuzimu : ng'ivyo ivyawe.'

Shebuja aramwishura ati : 'Musuku mubi, wa kinebwe we,, wari uzi ko ngesa ivyo ntabivye, nkimbura ivyo ntarimye. Uba washiriye ivyanje abadandaza, ngo ngarutse ndonke ivyanje ndonkane n'inyungu. Nimumwake italenta yari yaronse, muyihe uwufise cumi. Uwutunze bazomwongerereza atunge ibiruta ; na we uwutaco afise, bazomwaka n'ico yagira ngo arafise. Na yo iyo mburakimazi, ni mumute hanze mu mwijima, niho amarira abarizwa, niho bakomaniriza amenyo. »

# Inyigisho y'Umuvyeyi wacu Papa yo ku musi mpuzamakungu ugira 7 wahariwe aboro

(Bitangurira ku rup.1

ubwo bukene busa n'ubushaka kutuzingamika ku buryo akamo k'abavukanyi bacu basaba imfashanyo, ubufasha, n'ugushigikirana kaguma gasamirana. Nico gituma, umusi w'Imana urongora Umusi Mukuru cane wa Kristu Mwami w'ijuru n'isi, duhwanira hamwe ku Meza yiwe ngo asubire kuduha ingabirano y'umutima w'ubworo uduha kwitangira aboro.

*" Ntihaze hagire umworo n'umwe wirengagiza"(Tb 4, 7)*

Iri jambo riradufasha gutegera intimatima y'intahe y'ukwemera kwacu. None rero ugufata akanya tukazirikana Igitabu ca Tobito co mu Bwuzure bwa kera -naho kidakunze kumenyekana nk'igitabu nkoramutima kandi cuzuyemwo ubwitonzi kiradufasha gutegera neza ico umwanditsi mweranda yipfuje kudushikiriza.

Kiraduha kwihweza ubuzima bw'umuryango aho serugo, ari we Tobito, asezera umuhungu wiwe Tobiya, yariko yitegurira gufata urugendo rurerure. Tobito agumana ubwoba ko atazosubira kubona umuhungu wiwe; niko guca amutekerera iragi ry'umutima. Twibuke yuko Tobito yari yarajanywe nk'imbohe i Niniva, kandi ico gihe naho akaba yari impumyi. Yarabaye rero umworo kabiri kuko yakoranije kuba umukene no kuba impumyi.

Naho biri uko, yagumanye umwizero mu Mana yiwe ufatiye mbere no ku nsiguro y'izina ryiwe: "Umukama ni we Tunga ryanje". Uyo muntu uko yamye yizigira Imana ni ko yashimye gutekerera umwana wiwe igisumba ishishiro ry'ibintu.

Yamurungikanye ijambo rizomuherekeza ku rugendo rw'ubuzima. Nico gituma yamubwiye ati: " Imisi yose y'ubuzima bwawe, mwana, uribuka Umukama kandi ntuze wipfuze gucumura canke kurenga amabwirizwa yiwe. Urakora ibitunganye imisi yose uzoba ukiriho kandi ntuze uce mu nzira y'akarenganyo"(Tb4,5).

2. Duca twumva yuko ico uyo muvyeyi yasavye umwana wiwe kitagarukira gusa kuzokwama yibuka canke ashikiriza Imana igisabisho. Amusavye nyabuna kurangura ibikorwa vyiza, biboneka be no kugendera mu butungane. Iyo mpanuro arushirizaho kuyitomora agira ati:"Mu vyo utunze uragira ivyo ufashisha abakurikiza ubutungane bose. Ntuze ubabazwe n'uko hagize uwo ufasha"( 4 ,7).

Ntitwobura gutangazwa n'amajambo y'uwo mutama. Twame twibuka yuko Tobito yari yatewe n'uruhumyi kubera igikorwa co gutabara yariko arakora.

Nkuko we nyene avyivugira, ubuzima bwiwe, kuva akiri muto, yari yabuhebeye kurangura ibikorwa vy'urukundo: «Narahaye imfashanyo nyinshi bene wacu hamwe n'abo dusangiye akabira twajaniwe hamwe kugirwa imbohe i Niniva (…). Naraha ivyokurya vyanje abashonje, ngaha impuzu abagenda gusa. Ndamutse mbonye uwapfuye mu bo dusaniye akabira yatawe inyuma y'uruzitiro rwa Niniva, naca ndamufuba»(1, 3.17).

Kubera ico gikorwa ciza c'urukundo camuranze, Umwami yari yaramunyaze utwiwe twose, amusiga ari umurushwa, yifumbereje. Yamara Umukama wewe yari akimukeneye. Naho asubirijwe mu mabanga yiwe yo gucungera imibereho ya bene wabo, ntiyigeze ahesha mu ngendo yiwe yo gutabara abarushwa.

Dutege amatwi ingene Tobito we nyene atuyagira: "Igihe twahimbaza umusi mukuru wa Pentekoti, ari wo musi mukuru mweranda w'amayinga indwi, banteguriye inzimano ihimbaye, ndaheza ndicara ngo mfungure, baca banzanira imeza, banzanira n'indya nyinshi cane.

Ndaheza mbwira umuhungu wanje Tobiya nti: "Genda mwana, undonderere muri benewacu bazanywe i Niniva kugirwa imbohe umworo acibuka Umukama n'umutima wiwe wose, uheze umuzane dusangire.

Ndakurindira mwana gushika ugaruke" ( 2, 1-2). Ese ingene vyogira uburiba kuri uyu musi w'aboro, tugize rwacu uyo mwitwarariko wa Tobito, maze tukamenya gutumirana gusangira imfungurwa tuvuye gusangira ku Meza y'Ukaristiya.

Gutyo Ukaristiya tuzoba twasangiyeko izotubera koko ikimenyetso kiboneka c'isangiramutima. Nkako, ko duhwanira twese hamwe ngo dusangire Ukaristiya nk'abavukanyi, ubwo buvukanyi buzorushiriza kwiserura mu biboneka twemeye gusangira n'imfungurwa y'Umusi mukuru na ba ntahonikora.

Tobiya yarakoze ico se wiwe yari yamusavye. Mugabo aca aboneraho kumumenyesha yuko amuzaniye n'inkuru mbi ko hari umurushwa yagandaguwe kandi ko batamufuvye. Ubwo nyene, se wiwe arahaguruka ava ku meza, aca aja kumufuba. Agarutse iwe, arushe, aca yiryamira iwe mu kigo arasinzira.

Niho rero amasyegege y'inyoni ashushe yamukorokera mu maso, acika impumyi (cf 2, 1-10). Ehe rero igitangaje: Twoshobora kwiyumvira ingene ahejeje gukora iciza amakuba agaca amugwako? Yamara ukwemera kwacu kuradufasha kuraba kure.

**Biracaza**

***Yahinduwe mu Kirundi n'igisata kijejwe Ubutumwa n'Inyigisho ndoramana.***

# Yubile y'imyaka 75 y'Ikigo c'Iyandikiro ry'ibitabu «Les Presses Lavigerie»

*(Bitangurira ku rup.1*

yarakengurukiye cane abitavye ivyo birori hamwe n'umugwi w'abaririmbiramana usanzwe urangurira ubutumwa kw'ishure rya Nyabagere witwa «Aires des Anges » wafashije muri iyo nkuka ya misa.

Inyuma y'inkuka ya misa, Patiri Nibizi Désiré, umuyobozi w'ico kigo c'Iyandikiro Les Presses Lavigerie, yaramenyesheje intumbero y'uwo munsi, ati : « Uyu munsi, twashimye guhimbaza yubile y'i-myaka 75 y'ikigo yandikiro ry'ibitabo c'Ekleziya Katorika Presses Lavigerie. Kikaba catangujwe na Cardinal Charles Martial Lavigerie, hari mu mwaka w'1948.

Ikindi naco n'uko muri Ekleziya kuri iyi genekerezo nyene dusanzwe duhimbaza Umweranda Karori Boromée akaba ariwe muvunyi w'iki kigo».

Patiri Nibizi Désiré yaramenyesheje ico bishimira muri iyo myaka hamwe n'ico ico Kigo kirusha ibindi bigo vy'iyandikiro, ati : « Ico twirata ni kinini cane musanzwe muzi namwe y'uko imyaka 75 atari agaciye aho. N'umuntu amaze imyaka 75 aba akuze, aba amaze kwama ivyamwa bitari bike, aba amaze gukora ibikorwa vyinshi haba mu gihugu no muri Ekleziya. N'iki kigo rero niko bimeze, kuva gitangura casohoye ibitabu vyinshi cane kuko nta kindi cari kihari cagica imbere. Abantu benshi, amashirahamwe menshi mbere na Reta bamwe baza gukoreshereza ibitabu ng'aha. Bahaza kubera bishimira ivyuma vy'iki Kigo n'ubuhinga bw'abakozi. Iki kigo ni ica Ekleziya katolika, ico dusumvya abandi n'uko ari ikigo co kumenyesha Inkuru nziza tubicishije mu bitabo no munyandiko. »



Patiri Nibizi Désiré yarangije amenyesha imigambi ya kazoza ico Kigo gifise, ko Ekleziya itifuza ko cosubira inyuma kubera ubwinshi bw'ibindi bigo vy'iyandikiro bimaze kuboneka. Ati : «Umuntu wese muri kazoza yama arondera gutera imbere. Ico dushaka ni uko iki kigo kitosubira inyuma.

Murabona ko turi mu buryo bugezweho, dushaka ko ivyo dukora biba ari ibintu bigezweho dukoresheje ubuhinga bwo gutumatumanako no kumenyesha amakuru tukaronka nk'ama mashini agezweho kugira tubandanye dukora neza muri Ekleziya no mu gihugu. Anavuga ko bipfuza gukoresha ubuhinga bwa none bwo gutumatumanako amakuru, no gusanura ico kigo kugira kibe ikigo c'akarorero "

Yaribukije ko yubile y'imyaka 50 yahimbajwe kuwa 7 munyonyo 1998. Ku wa 5 munyonyo 2022, naho niho bugurura yubile, ko uyo munsi naho bariko barahimbaza iyo mwaka 75 baca baboneraho no guhimbaza Umweranda yitiriwe ico kigo ariwe Karori Boromée mweranda.

Yaragarurutse kandi ku vyaranze uwo mweranda. Yavutse kuwa 2 Gitugutu 1538, avukira i Aroma muntara ya Robadiya mu gihugu c'Ubutaliyano. Nyina wiwe yari mushiki wa Papa Piyo w'14. Yarakunda kuririmba, kuvuza inanga, gutamba n'ibindi.

Yapfuye ku wa 3 munyonyo 1584 afise imyaka 46 ashirwa mu beranda na Papa Paulo wa 5 ku wa mbere munyonyo 1610. Yaribukije kandi uko ico kigo catanguye n'ingene kibandanya gikora kugeza ubu kumwe n'imirimo kirangura.

Yarangije ashimira Abepiskopi batanguje ico kigo, Imana, n'inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi, ukungene ibitwararika.

Uwuserukira abakozi bakorera muri ico kigo aho yavuze cane cane ubuzima bw'abakozi kuva kigitangura kugeza aho bageze ubu, n'ukungene bagiye baratera imbere mu nyandiko no mu gukora ibitabo.

Musitanteri wa Komine Mukaza, Wakana Léonard nawe yahereye kugushimira Imana kukaba nkako igihugu cashize Imana imbere. Yarakengurukiye Ekleziya ko itigera yibagira abarongozi mu bikorwa vy'ayo.

Kw'izina ry'abatumire yarashimye ubutumire muri rusangi. Yarangije ashimira Ekleziya ko ari kirumara mu yandi mashengero yose, agirako aranakeza ico kigo c'Iyandikiro ku vyo kimaze kurangura muri Ekleziya no mu gihugu, aca acipfuriza gutera imbere.

Tubamenyeshe ko Umusi mukuru wabandanirije kandi usozerwa mu kanyamuneza k'umuvukano, abashitsi n'abakozi ba Presses lavigerie basangira ivyategekanijwe kw'iyubile y'imyaka 75.

***Abanyeshure bimenyereza:***

***Thierry NGABONZIZA***
***Claudine INGABIRE***
***Oswald NSABIMANA***
***Alexandre NSHIMIRIMANA***
***Nadine IRAKOZE***

# Igice ca mbere c'inama nsanginzangendo caraye gisozerewe *(Ibikurikira)*

Ku wa 29 Gitugutu 2023 i Vatikano niho basozera igice ca mbere c'inama sangizangendo izobandanya muri Gitugutu 2024.

Icegeranyo c'iyo nama kikaba casohotse ku wa 28 Gitugutu 2023 inyuma y'indwi zine zari ziheze batanguye iyo nama ku wa 4 Gitugutu 2023 mu nzu y'inama yitiriwe Paul VI.

Ibikuru bikuru biri muri iryo kete ry'icegeranyo c'iyo nama.( ibikurikira)

**9. Abagore**

Muri iyo nama Nsangizangendo, barashimitse ku kibanza c'umugore. Basaba Ekleziya guherekeza no gutegera umugore ku ntambwe zose z'ubuzima bwiwe.

Nk'uko biri muri iryo kete, abagore barasaba kugirirwa ubutungane mu kibano na canecane muri bino bihe vyibonekeza uguhohoterwa kwabo bifatiye ku gitsina n'ikumirwa muvy'ubutunzi bw'ibihugu. Aho hamwe hamwe kw'isi hariho aho bababafatwa nabi. Uguherekezwa no guha agaciro umugore vyojana.

Abagore bari muri iyo nama barakengurutse ibikorwa vy'ubutumwa birangurwa n'abasaseredoti n'abepisikopi. Ariko barerekana amakenga ko haraho bishika abo batumwa b'Imana bagakomeretsa ubusho bashinzwe mu gihe bakoresheje nabi iteka Imana yabateye bigaheza bigaha ishusho itariyo Ekleziya, bigatuma rya sangiramutima ridashoboka.

Uguhinduka kwimbitse n'ishusho nshansha z'inzego muri Ekleziya ni igikorwa ngombwa kugira ubusho bw'Imana bushobore gutambukira hamwe.

**10. Ukwatira mw'ibanga ry'ubudiyakoni abagore.**

Ico ciyumviro nticumviswe kumwe n'abari muri iyo nama. Umuce wa mbere ubona ko ico ciyumviro kidashobora kwakirwa muri Ekleziya kuko kiza gisambura imero y'Ekleziya. Abandi nabo bakabona ko yoba ari intambwe yotuma Ekleziya isubira kw'ishusho yayo ya kera.

Abandi kandi bakabona ko yoba ari inyishu ibereye kandi ikenewe kugira Ekleziya igire inguvu nshansha z'ubutumwa muri bino bihe tugezemwo. Umuce wa nyuma ufise amakenga ko ico gisabo ari ubumara bubi muri Ekleziya, bwoyituma ijana n'amahindagu y'isi.

Abitavye iyo nama basavye ko ico ciyumviro ari ico gusabira bamurikiwe na Mutima Mweranda, bibaye ngombwa ico kibazo kikazokwirwa mu gice ca nyuma c'iyo nama muri 2024.

**11. Ugukumirwa no guhohoterwa.**

Ugutegekanya ko abagore bagira ijambo n'ubutumwa muri Ekleziya vyaremejwe bafitiye ku mategeko y'Ekleziya. Birashika ko bakumirwa mu bikorwa bimwe bimwe hamwe n'ubusumbasumbane bw'umushahara ufatiye ku gitsina. Birabereye ko vyokwirwa, mu gihe bishobora gushika ko n'abihebeyimana bigitsina gore bafatwa mu bikorwa barangura nk'abatangakivi.

Birabereye rero ko n'abagore boshobora kuronswa uburyo n'uruhusha rwo kwiga ivyirwa bibatuma nabo bagira agaciro imbere yababakoresha muri Ekleziya.

**12. Ubuzima bwo kwihebera Imana.**

Bafatiye kw'itunga n'ubudasa bw'imiryango y'abihebeyimana, iri kete riragabisha abantu bose bagumana akantu ko gucinyiza abatobato, bigatuma ikiganiro kivukanyi kitaronka ikibanza. Ni ngaho rero hashobora kuba uguhohoterwa kw'abagore bari mu bihebeyimana n'ahandi.

**13.Ubudiyakoni n'ugutegura abitegurira amabanga y'ubusaseredoti.**

Ubukengurutsi bwarashikirijwe abadiyakoni barangura igikorwa c'ubutumwa hagati y'igihugu c'Imana mu nyifato idakumira, yakira kandi yumviriza abandi. Intambamyi nuko bashobora guha ishusho mbi ubuzima bwabo kubera inyifato zitabereye.

Mu nyifato zabo, bategerezwa kwama bagavye kuva ku ntambwe za mbere zo kwitegurira iryo banga. Abari mu maseminari n'ahandi batangira ivyirwa bibateguríra gushikira iryo banga, ivyirwa vyabo vyokunganirwa n'inyifato zibereye ziranga umuntu abushitse mu mpande z'ubuzima bwabo bwose.

**14. Ibanga ryo kutubaka ku b'abasaseredoti** « le célibat».

Muri iyo nama bamaze guca hirya no hino ibijanye n'iryo banga, bose barakengurutse iryo banga rigaragaraza inyifato ishingira intahe Yezu Kristu.

**15. Abepisikopi**

Ishusho abungere bahamagariwe kwerekana hagati y'igihugu c'Imana yarafatiwe umwanya ubereye muri iyo nama. Bahamagariwe kuba akarorero ko gutambukira hamwe n'abo bajejwe, bakabera akarorero abasaseredoti n'abandi batumwa muri diyoseze, mu korosha umutwaro w'abakora ibikorwa vyo kuyobora abandi no gutanga amategeko mw'itunganywa ry'ibikorwa muri diyoseze.

***Biracaza***

***MSV Ndikumana Marie Goreth***

# Ubuzima rukristu mu rugo rw'umupfakazi *(Ibikurikira)*



Foto: Chanel HARINGANJI

*Ingorane zishikira abapfakaye*

Hari ingorane nyinshi zishikira uwapfakaye. Iyo ari umugore hoho, bibiha gusumba. Hari abaca batangura gucurwa bufuni na buhoro, bakabura icepfo n'ica ruguru, abana bakicwa na kigoyi. Hari abaca baja mu bukene butagira izina maze abana bariko barisununura akaba ari bo babihomberamwo kuko baca babakura mw'ishule ngo bafashe nyina canke se kurera batoya babo no kubaronderera ikibatunga.

• Agateka ka zina muntu karabangamirwa mu mice myinshi gushika aho umuntu yibaza ko urupfu rw'umwe mu bubakanye rwaje kubangamira akayaga keza n'umubano wahora mu muryango wagutse.

• Hari imiryango baca batangura kuryagagura umupfakazi bakamwagiriza uburozi, ibitega,… n'ayandi mabi nk'uko umenga yoba ahimbariwe ivyo ariko abamwo gurtyo akababara 2 akisanga yatuntuye. Hari n'abo baca batangura kunyaga, bakabaka abana n'amatongo n'utundi bari batunze ngo vyarondeye umugabo/Umu-gore.

• Uwutari bwavyare wewe baba bamuronse akaryo, kenshi baraheza bagaterera mw'ibarabara akimenya iyo aja. Iyo iwabo batamunywa no mu mazi, bica bimugora ukuruta, ubuzima bugacika ingorane zamaho.

• Ikibabaje, usanga bose basigaye bamutinya nk'uko umenga nyene ntaco akimaze, rimwe na rimwe akabura n'uwumuramutsa. Ivyo vyose birashobora guhahamura umuntu.

• Iyo atahabereye umugabo, birashobora no kumutesha ukwemera kuko aba abona umenga na ya Mana ntaco iriko iramufasha.

*Ihungabana mu kwemera*

Uwapfakaye iyo atagize ukwemera gukomeye, arashobora kuhagesererera n'ukuri gushika ku guta ukwemera. Ni vyo vyashikiye na Yobu aho amagorwa yose amugwiriyeko, yahavuye atangura kuvumagura umunsi yavukiyeko. (Jb 3, 1)

Hari benshi basigara bibaza bati : Mbega Mana uri hehe ? Urabaho hoho? Kuki wavyemeye? Kubera iki vyashikiye jewe ? Nacumuye iki? Ngiye kuba uwa nde? Kubera iki ubuzima bwangashiyeko ? Kuki bariko barantoteza nk'u-ko umenga sinigeze mba umuntu ? Ati urugi ruva ku muryango imbeho ikinjira, …

Imbere y'uwabuze n'izo ngorane zose, abakristu bategerezwa kuba hafi y'abo bababaye maze bakabaremesha n'ijambo ry'Imana, maze ntibagume bibaza ko bacitse kw'icumu ariko basubire biremareme, babone ko Imana iguma ibubakira, ibategurire kazoza keza.

*Indero y'abana babuze umwe mu bavyeyi*

Indero y'abana ni igikorwa gihambaye cane mu buzima bw'umwana. Na none, umwana avuka ata na kimwe azi, agaheza akakira ibije vyose. Ni igikorwa c'abavyeyi kumuha indero runtu kandi rukristu kugira ngo akure mu mpande zose.

Umugore araheza akaba hafi y'abana biwe akabereka imigenzo myiza, akanabamenyereza ibikorwa.

Aho hambere murazi ko umugabo yaraba indero y'umuhungu, umugore nawe iy'umukobwa. Ariko kandi murazi ko bavuga ngo indero y'umwana itukwa nyina.Mu gitabo c'imigani barabitomora bati: 15 Inkoni n'impanuro bitanga ubwitonzi,ariko umwana yigenza ateza isoni nyina. (Pr 29, 15)

Umugabo nawe ahamagarirwa kwubahisha amategeko y'urugo n'imigenzo. Ivyo abikora mu gukankamira mbere no guhana agahana iyo bikenewe. Ca gitsure ciwe kigaheza kikerekana ko hari ubutegetsi mu rugo.

Niho umwana aheza agahungira kwa nyina, amwakiriza yompi akamunyegeza ariko agaca afatira aho kugira amwereke ko nivyabandanya azomureka agahanwa. Umugabo n'umugore bagaheza bakunganiranira muri ico gikorwa.

Iyo umuntu yapfakaye, ntibiheza ngo vyorohe kuko asanga ahamagarirwa gukora vya bikorwa vyose: aba umugabo akongera akaba inarugo mu muryango tukaba tuzi ko Imigere ibiri ntitereka.

Umuvyeyi asigaye kenshi aca akora ivyo ahambije ibindi akavyihoza. Iyo ashatse kubikorera rimwe naho bica bigorana kuko hamwe asanga ariko arahana umwana agaca abura iyo ahungira mu gihe hasigaye umugore, ahandi naho agasanga ariko arasigiririza umwana agaca abura gihana iyo hasigaye umugabo bigacika urudubi.

Abo mu muryango nibo bategerezwa gushigikira umupfakazi bakamufasha kurera abana gurtyo ntibakurane ibihengeri mu ndero yabo. Niho usanga hari abana b'impfuvyi usanga indero Atari ikirenga bagacika intagondwa canke intumva zo mu biharoharo n'abandi usanga bifashe kuko baronse ababakurikirana.

**_Patiri Sadith KENEMANA_**
*arangurira ubutumwa mu gisata c'Inama y'Abepiskopi Gatorika b'i Burundi, gishinzwe Abalayike,Ingo n'imiryango hamwe n'ubuzima.*

# Amasezerano hagati ya Reta y'Uburundi na Vatikano agiye kuja mu ngiro (Ibikurikira)

**Ubutumwa bwahawe imirwi mitomito ihurikiwemwo na bose burakomeye cane (ibikurikira).**

4. *Umurwi mutoyi uhurikiwemwo na bose ku bijanye no gushigikirana n'iterambere*

Uwo murwi ufise igikorwa co kwerekana interarano ya Reta mu gushigikira ibikorwa vy'ikigongwe n'iterambere birangurwa na Ekleziya kuko Ekleziya irabishiraho ikongera ikabitunganya ku neza y'abenegihugu bose hadakumiriwe n'umwe.

Uwo murwi ujejwe kwerekana neza ingene ingingo ya 11 agace ka 2 y'amasezerano hagati ya Vatikano n'Uburundi yoja mu ngiro. Iyo ngigo nayo ivuga ko inyubako za Ekleziya zogira amategeko azigenga ku bijanye n'amakori n'amatagisi.

Uwo murwi rero ujejwe kwerekana neza ryari ibisata vya Ekleziya Katolika birangurirwamwo ibikorwa bituma iyo Ekleziya ikomera igatera imbere vyokurwako ikori ry'agataka n'ayandi makori n'amatagisi ku bintu n'ibikorwa bifasha mw'iranguka neza ry'ubutumwa Ekleziya ijejwe.

5. *Umurwi mutoyi uhurikiwemwo na bose ku bijanye no gusubiza Ekleziya amatungo n'amatongo yigaruriwe na Reta*

Ingingo ya 18 agace ka 2 y'amasezerano hagati ya Reta y'Uburundi na Vatikano itegekanya ko bishoboka ko amatungo canke amatongo yanyazwe Ekleziya Katolika ku neza rusangi iyasubizwa.

Uwo murwi mutoyi ufise igikorwa co gushira ku rutonde amatungo n'amatongo vya Ekleziya vyatswe amadiyoseze n'imiryango y'abihebeye Imana. Ivyo navyo bigizwe n'amatongo, amashure, amavuriro n'ibindi.

Uwo murwi ujejwe kwerekana umwanya mwiza w'uko ayo matungo yoba yasubijwe Ekleziya n'ingene vyokorwa. Uwo mugwi wokwiga kandi yuko mu gihe hoba hari ivyo Reta idashobora gusubiza ko bitokunda ko Reta itanga ibindi bintu bibisubirira nk'amatungo canke ayandi matongo.

6. *Umurwi mutoyi uhurikiwemwo na bose ku bwibutsamana*

Ingingo ya 19 y'amasezerano hagati ya Reta y'Uburundi na Vatikano itegekanya umwumvikano hagati y'inama nkuru y'Abepiskopi Katolika b'Uburundi hamwe na Reta mu bijanye n'ubwibutsamana.

Umurwi uhurikiwemwo na bose ku bwibutsamana ufise igikorwa co gushiraho indinganizo y'ingene ubutumwa bwa Ekleziya bworanguka ku bakristu bari mu nzego zo kwivuna abansi n'umutekano, mu mabohero no mu bitaro, mu bigo vyo gufasha abarwaye no mu mashure vyaba ivyigenga canke vy'igihugu.

Ku bwibutsamana mu nzego zo kwivuna abansi no gucungera umutekano, hasanzwe hariho amasezerano yo mu 1993. Ubu igikenewe ni kuyajanisha n'ibihe tugezemwo no kuyongeramwo ivyo vyose bikenewe kubw'ineza y'ubuzima bw'umutima bw'abasirikare, abapolisi n'imiryango yabo. Igisata c'ubwibutsamana mu bitaro, mu mabohero, mu mashule n'ahandi, ntamasezerano n'amawe yar'ahari. Ariko, hari abasaserdoti n'abihebeye Imana bama bariko bararangurirayo ubutumwa.

Kubera ko hari ayo masezerano yari ahasanzwe, aho atari naho hakaba hari ingene vyari bisanzwe bikorwa, ivyo ngo bizofasha nk'ifatiro ryo gushiraho amategeko mu ntumbero yo gufashanya hagati ya Reta y'Uburundi na Ekleziya Katolika ku neza y'ubuzima bw'umutima bw'abakristu bo muri ivyo bigo.

Mu madiyoseze amw'amwe, hariho ubwibutsamana bw'incabwenge. Ubwo butumwa bushasha ni ubwo guherekeza neza abakristu barayike muvy'umutima mw'iranguka neza ry'ivyo bashinzwe mu buzima bwabo bwa misi yose. Ubwo butumwa busaba gutunganywa neza no kuba buteguye neza kuko buzofasha cane abakristu barayike gushikana umuco w'inkuru nziza mu kazi no gukoresha neza amatungo rusangi.

**Ibikorwa vyo mu mirwi bizokwemezwa na Vatikano**

Mu gusozera ijambo ryiwe, Musenyeri Bonaventure Nahimana, Umukuru w'inama y'Abepiskopi katolika b'i Burundi, yasavye abo bajejwe imirwi mitomito ihurikiwemwo na bose gukora nk'abikorera. Yabamenyesheje ko inyuma yuko ivyo bazoba bakoze bizoba vyahurijweko n'impande zose ko bizoca birungikwa i Vatikano kugira ngo vyemezwe.

Musenyeri ati : «Umwe wese muri mwebwe yatowe ngo aje mu murwi munaka kubera ubumenyi canke uburambe afise muri ico gisata. Muzokore mwiyumva kuko mwariyumviriweko mu gutorwa. Natwe tuzoba turi hafi yanyu kugira ngo ico mwodukenerako cose tukibahe.»

Tubamenyeshe ko uwo murwi wahawe ikiringo c'amezi abiri ngo ube watanze icegeranyo ca mbere c'ivyo washitseko.

***Mélance Ndayikeze***

# Umukenyezi nahabwe iteka rimubereye

Ku wa 6 Munyonyo 2023 i Bujumbura, igisata c'inama y'Abepiskopi katolika b'i Burundi kijejwe abarayike, ingo n'imiryango hamwe no gukingira ubuzima caratanguje icese umugambi «GIRITEKA». Ibirori vyari bihagarikiwe na Musenyeri Salvatori Niciteretse, Umwungere wa Diyoseze Bururi akaba n'umukuru w'igisata kijejwe abarayike ingo n'imiryango hamwe no gukingira ubuzima mu nama nkuru y'Abepiskopi Katolika b'i Burundi.

Abakenyezi 65 bavuye mu maparuwase 16 yo mu madiyoseze ya Bubanza, Bujumbura na Bururi n'abibutsamana batatu b'ubutumwa bw'abarayike muri ayo madiyoseze ni bo baserukiye abandi benshi bahurikiye mu mashirahamwe yo kwiteza imbere mu maparuwase aherereye mu kiyaya ca Rusizi no ku nkengera y'ikiyaga Tanganyika.




Foto: Mélance Ndayikeze

Nk'uko bishikirizwa na Patiri Savin Ndereyimana, umunyamabanga nshingwabikorwa w'igisata c'inama y'Abepiskopi Katolika kijejwe abarayike ingo n'imiryango hamwe no gukingira ubuzima, avuga ko «Umugambi Giriteka» ari umugambi ujejwe gufasha abagore n'abakobwa bo mu kiyaya ca Rusizi na Tanganyika kuja hamwe mu makoperative ngo barangure ibikorwa vy'iterambere babone nabo gutera imbere.»

Nk'uko Patiri Savin abivuga, muri uwo mugambi Giriteka, ngo abakenyezi n'abigeme bazoba bagiye hamwe bazoherekezwa mu gutegura imigambi no mu kuyishira mu ngiro.

### Uwo mugambi uzoshigikira abazoba bari hamwe mu makoperative

Abo bakenyezi bazoba bagiye hamwe mu makoperative bazosaba ingurane mu mabanki asanzwe ashigikira ibikorwa vy'iterambe birangurirwa mu ma koperative. Patiri Savin avuga ko amabanki atari make asanzwe afise iyo ntumbero yo gushigikira ibikorwa vy'iterambere.

Atanga akarorero k'ibanki y'abakenyezi, kandi ngo yashinzwe muri iyo ntumbero nyene yo kworohereza abakenyezi n'abigeme bakeneye ingurane kuko itarajaho ngo vyahora bigorana ko abakenyezi n'abigeme bakeneye ingurane bashobora kuzironka.

Ibikunda gutera ingorane mw'irangurwa ry'imigambi y'iterambere mu makoperative, ngo ni guhemukiranira. Patiri Savin ahanura abo bakenyezi « kutagunga abandi, bagendere umutima Rukristu urangwa no gufasha, kwitanaho, kuvuga ukuri no kutiba abandi.» Ivyo babigendeye, ngo ntakeka bazotera imbere.



Foto: Mélance Ndayikeze

Bamwe mu bagore baserukiye abandi mu nyigisho z'umugambi «Giriteka». Aho bariko bakurikirana ivyigwa vy'ingene amakoperative atunganywa



Foto: Mélance Ndayikeze

Nyampundu Olga Gloria arongoye ikigega FIGA kijejwe gutanga ingwati no guherekeza abanyamitahe, aremeza ko uwo mugambi Giriteka uhuye cane n'intumbero Reta y'Uburundi yihaye mu migambi yayo yo kurwanya ubukene. Nk'uko rero ico kigega gisanze kibikora, ngo kizoshigikira abapfasoni bazoba bari muri uwo mugambi ku buryo imigambi iteguye neza kandi yunguka itazobura ingurane mu mabanki.

### Imigambi izorangurwa n'amafaranga y'ingurane z'amabanki.

Uwo mukenyezi asaba abakenyezi bagenzi we ko botegura neza imigambi yabo kandi bakamenya ko bazoyishira mu ngiro ku mafaranga basavye ideni mu mabanki. Amabanki nayo iyo yatanze ingurane ategerezwa gusubizwa uburyo yatanze hamwe n'inyungu baba bumvikanye. Ati: «Ikigega FIGA ntigitanga amafaranga ariko gifasha mu bijanye n'ingwati iyo umugambi ari mwiza kandi wunguka.»

Ivyigwa vyatanzwe muri iyo misi ine kuri abo bakenyezi b'imboneza vyari bishimikiye ku gutunganya neza imigambi yunguka, ingene amashirahamwe yo kurugezo rw'amakoperative atunganywa n'ingene akora, uburyo bwiza bwo gutunganya amashirahamwe matomato yo kuziganya no kwiteza imbere, n'ibindi. Abahawe izo nyigisho barakenguruka cane uwo mugambi wo guteza imbere umukenyezi n'umwigeme mu gihugu c'Uburundi.

Mélance Ndayikeze

# Kuva 2025, Intara ya Gitega izoba igizwe n'amakomine 9 *(Ibikurikira)*

***4. Komine Karusi, umugwa mukuru wa komine ni Karusi, igizwe n'amazone 16. Nayo ni:***

*- Zone Bugenyuzi igizwe n'imitumba 10:* Bugenyuzi, Canzikiro, Cuba, Gashanga, Kanazi, Kigufi, Kiranda, Muramba, Muyange, Nyagoba.

*- Zone Buhiga igizwe n'imitumba 9:* Buhiga, Gitanga, karunyinya, Magamba, Mwoya, Nzibaria, Ramvya, Ruvumu, Rwingoma.

*- Zone Buhindye igizwe n'imitumba 6:* Buhindye, Gishikanwa, Kidahwe, Nyamirambo, Rwandagaro, Teme.

*- Zone Buhinyuza igizwe n'imitumba 6:* Buhinyuza, Bushirambere, Gisenyi, Kanyange, Nkoronko, Rutegama.

*- Zone Cirambo igizwe n'imitumba 6:* Cirambo, Kinyota, Kiyange, Maramvya, Rusagara, Rwizingwe.

*- Zone Gisimbawaga igizwe n'imitumba 5:* Butaha, Gasera, Gisimbawaga, Kibuye, Mutara.

*- Zone Gitaramuka igizwe n'imitumba 6:* Gasasa, Gitaramuka, Kagwa, Kibenga, Nyarutovu, Rubuga.

*- Zone Kibumbwe igizwe n'imitumba 5:* Gasekanya, Kibumbwe, Mugende, Muvumu, Nyakabuga.

*- Zone Mayenzi igizwe n'imitumba 9:* Burenza, Cigati, Gasenyi, Karamba, Mayenzi, Rudaraza, Rutonganikwa, Ruyaga, Shanga.

*- Zone Mubaragaza igizwe n'imitumba 5:* Kigoma, Mubaragaza, Musenga, Sagara, Yagizo.
- Zone Muhweza igizwe n'imitumba 6: Banda, Kajeri, Karuri, Muhweza, Nyamabega, Rukamba.

*- Zone Mutumba igizwe n'imitumba 4:* Bibara, Kanyinya, Rabiro, Rwangara.

*- Zone Ntunda igizwe n'imitumba 5:* Bikinga, Bugwana, Kigozi, Ngayane, Ntunda.

*- Zone Nyamugari igizwe n'amakartiye 4:* Kartiye Kigoma, Karirtiye Kigwati, Kartiye Nyamugari, Kartiye Rubimba.

*- Zone Nyaruhinda igizwe n'imitumba 5:* Gahahe, Gahashi, Gitandu, Nyaruhinda, Ruhata.

*- Zone Rugazi igizwe n'imitumba 7:* Bonero, Burenza, Mubaya, Munyinya, Rugazi, Rusengo, Tambi.

Yose hamwe ni omitumba 94 n'amakartiye 4 bigize amazone 16 ya Komine Karusi.

***5. Komine Kiganda, umugwa mukuru wa komine ni Rutegama, igizwe n'amazone 8. Nayo ni :***

*- Zone Buhangura igizwe n'imitumba 6:* Buhangura, Burenza, Janga, Masama, Mubuga, Rugari.

*- Zone Gasura igizwe n'imitumba 6:* Gasenyi, Kabuye, Kigabiro, Murehe, Nete na Taba.

*- Zone Gatabo igizwe n'imitumba 4 n'ikartiye 1:* Kivyeyi, Martyazo, Murambi, Nyagisozi, Kartiye Gatabo.

*- Zone Kanyami igizwe n'imitumba 4:* Gahweza, Kanyami, Musongati, Ngara.

- Zone Kiganda igizwe n'imitumba 4: Burenza, Kanerwa, Kiganda na Nkomwe.

*- Zone Mushikamo igizwe n'imitumba 8:* Bupfunda, Munyinya, Murinzi, Musave, Mushikamo, Nkonyovu, Nyakararo, Nyamitwenzi.

*- Zone Renaga igizwe n'imitumba 4:* Kayange, Renga, Rubumba, Ruvumu.

*- Zone Rutegama igizwe n'imitumba 10 n'amakartiye 2:* Bubanda, Camumandu, Cumba, Gashingwa, Kinyoni, Marumane, Munanira, Nyarukere, Nyarunazi, Rutegama, Kartiye Buryohe, Kartiye Gassange.

Yose hamwe ni imitumba 46 n'amakartiye 3 bigize amazone 8 ya komine Kiganda.

***6. Komine Muramvya, umugwa mukuru wa komine ni Muramvya, igizwe n'amazone 7. Nayo ni :***

*- Zone Bugarama igizwe n'imitumba 3 n'ikartiye 1:* Busimba, Kibogoye mpehe na kartiye Bugarama.

*- Zone Bukeye igizwe n'imitumba 5:* Gahaga, Gikonge, Kivogero, Rweteto, Shumba.

*- Zone Kibumbu igizwe n'imitumba 4, n'ikartiye 1:* Birwana, Buyaga, Kirika, Rabiro na Kartiye Kibumbu.

*- Zone Mbuye igizwe n'imitumba 12:* Kiniga, Kirembera, Kiziba, Mbuye, Migezi, Mugerera, Murama, Mwegera, Nyakijwira, Rwuya, Teaka na Temere.

*- Zone Muramvya igizwe n'imitumba 6 n'amakartiye 2:* Biganda, Burambana, Masango, Murambi, Muramvya, musagara na Karitiye Mubarazi na Muramvya.

*- Zone Nyarucamo igizwe n'imitumba 5:* Buhorwa, gaharo, Kiziguro, Musumba na Nyarucamo.

*- Zone Shombo igizwe n'imitumba 6:* Gatwaro, Mirinzi, Mubira, remera, Ruhinga, Shombo.

Yose hamwe ni imitumba 41 n'amakartiye 5 bigize amazone 7 ya Komine Muramvya.

***Biracaza***

*Ibwirizwa N°1/05, yo ku wa 16 Ntwarante 2023, ishinga intara, amakomine, amazone n'imitumba canke amakartiye mashasha agiye kugira igihugu c'Uburundi, kuva mu mwaka w'2025.*

# Uburenganzira bw'umuntu bwo kwubahirizwa mu matungo yiwe mvabwenge

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kugira itunga ryiwe bwite akarigaba akariganza kandi nta muntu n'umwe arekuriwe kurimunyaga.

Umuntu ashobora kugira amatungo y'ubwoko bubiri. Amatungo ashobora :

* kuba agizwe n'ibintu umuntu ashobora gukorako n'amaboko yiwe kandi akanabibonesha amaso yiwe,

* canke akaba amatungo mvabwenge umuntu adakabakabisha intoke.

Uwo murwi wa mbere ushobora kugirwa n'amatongo, inzu, imiduga, impuzu n'ibindi.

Umurwi wa kabiri ugizwe n'indirimbo, imvyino, ibicuba ; ivyo vyose umuntu yihinguriye ku giti ciwe bivuye mu bwenge bwiwe.

Tuza gushimikira ku matungo mvabwenge.

Uburenganzira bwo kwubahirizwa mu matungo mvabwenge butegekanijwe n'amategeko mpuzamukungu hamwe n'amategeko y'igihugu.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu yubahiriza uburenganzira bw'umuntu bwo kwubahirizwa mu matungo mvabwenge**

Amatungo mvabwenge a-kingiwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye:

* Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

* Amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vy'ubutunzi, imibano n'imico kama.

* Hamwe n'amasezerano mpuzamakungu yerekeye ikingirwa ry'inzandiko n'ubuhinga bivuye mu bwenge bw'umuntu.

*Amafoto yo mu bubiko*



*Ingoma z'i Burundi*

Ingingo ya 27 y'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu mu gace ka yo ka kabiri ivuga ko, umuntu wese ategerezwa kwubahirizwa ku vyavuye mu bwenge bwiwe ari ivy'ubuhinga, ibitabu yanditse canke ivy'utugenegene.

Ararekuriwe ata nkomanzi guteza imbere ubuhinga akagira n'ico avyungukako.

Ingingo ya 15 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vy'ubutunzi, imibano n'imico kama, mu gace ka yo ka 3 ibihugu vyashize umukono kuri ayo masezerano, bitegerezwa kwubahiriza uburenganzira bwa zina muntu bwo gukingirwa akongera akaronka akarusho kavuye mu bikorwa vy'ubumenyi, ivyandikwa mu bitabu canke mu bikorwa vy'ubuhinga yitoreye.

Nk'uko tubisanga mu gace ka 6 k'ingingo ya mbere y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye ikingirwa ry'inzandiko n'ubuhinga bivuye mu bwenge bw'umuntu , ibihugu vyashize umukono kuri ayo masezerano, bitegerezwa gukingira inzandiko hamwe n'utugenegene vyavuye mu bwenge bw'umuntu.

Ako gace kabandanya kavuga ko, nyene gukora ivyo bikorwa abigumana ko ububasha gushika yitavye Imana.

Ingingo y'7 na yo ivuga mu gace ka yo ka mbere ko, ivyavuye mu bwenge bw'umuntu biguma bikingiwe gushika nyene kubikora yitavye Imana,no gushika ku myaka 50 inyuma y'urupfu rwiwe.

Inyuma y'ico kiringo iyi ngingo ibandanya ivuga ko umuntu akeneye kubikoresha ata burenganzira arinda gusaba.
Naho ibikorwa bivuye mu bushakashatsi bw'umuntu bikingirwa, bigakoreshwa ari uko nyene kubikora abitangiye uburenganzira, hariho ibihe bimwe bimwe bikoreshwa ata burenganzira busabwe.

Tubisanga mu ngingo ya 10 y'ayo masezerano.

Iyo ngingo ivuga, mu gace kayo ka mbere, ko iyo ivyavuye mu bwenge bw'umuntu bikoreshejwe mu bimenyeshamakuru, nta burenganzira busabwa nyene kubikora.

N'aho ata burenganzira busabwa nyene kubikora, ikimenyeshamakuru kirandika izina ry' uwagize ubushakashatsi bw'amajambo cakoresheje.

Tubisanga mu gace ka 3 k'iyo ngingo nyene ya 10 kavuga ko, ico kimenyeshamakuru gitegerezwa kwandika izina ry'uwagize ubushakashatsi bw'amajambo bakoresheje.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu atandukanye aratomora ko umuntu ategerezwa kwubahirizwa mu matungo mvabwenge yiwe.

Nta muntu n'umwe akwiye kunyarwa utwiwe, yaba amatungo mva-

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'umuntu bwo kwubahirizwa mu matungo yiwe mvabwenge

(Bitangurira ku rup.10)

bwenge yiwe canke ayo yaronse mu bundi buryo, kiretse ku mvo zisheme ye zishimikiye ku nyungu ya benshi canke y'iterambere rusangi.

N'amategeko y'igihugu c'Uburundi arubahiriza ubwo burenganzira.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi yubahiriza amatungo mvabwenge**

Igihugu c'Uburundi carashize umukono ku masezerano atandukanye yubahiriza uburenganzira bwa zina kiremwa muntu. Bisigura ko ciyemeje gukora ibishoboka vyose kugira kiyubahirize.

Ni co gituma, ingingo ziri muri ayo masezerano zashizwe mu mategeko y'igihugu biciye mu ngingo ya 19 y'Ibwirizwa Shingiro no mu yandi mategeko atandukanye Uburundi bugendera ko.

Mu kurabira hamwe ingene amategeko y'Uburundi yubahiriza uburenganzira ku matungo mvabwenge, tuza kwisun ga ingingo ziri mw'Ibwirizwa Shingiro hamwe n'ibwirizwa n°1/021 ryo ku wa 30 kigarama 2005 ryerekeye uburenganzira umuntu afise ku bikorwa vy'ubwenge bwiwe mu Burundi.

***2.1. Ibwirizwa Shingiro***

Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi, rirubahiriza uburenganzira bw'umuntu bwo kwubahirizwa mu



Amafoto yo mu bubiko

*Chris Bujiruri, Umuhinga mu gucapa*

matungo mvabwenge yiwe.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 58 yaryo, umuntu wese ategerezwa kwubahirizwa mu bikorwa aranguye bimutera iteka, canke bikamugirira akamaro, vyaba ivyo ahinguye, ivyo yanditse canke mu vy'utugenegene yakoze ubwiwe.

***2.2 Ibwirizwa n°1/021 ryo ku wa 30 kigarama 2005 ryerekeye uburenganzira umuntu afise ku bikorwa vy'ubwenge bwiwe mu Burundi.***

Iri bwirizwa riritegekanya mu ngingo ya ryo ya 58 ko umuntu aguma afise uburenganzira ku bikorwa mvabwenge bwiwe igihe cose aba akiriho.

Ubwo burenganzira n'abasigwa biwe barabugumana gushika hahere imyaka 50 uhereye guharura kuva mu mwaka ukurikira uwo yapfiriyemwo.

Nk'uko ingingo ya 24 ibivuga, nyene gukora ibivuye mu bwenge bwiwe arashobora gutanga uburenganzira ku wundi muntu bwo kubisubiramwo, kubidandaza canke kubigwiza.

Ariko naho biri uko, ingingo ya 26 irerekana ibihe bimwe bimwe ivyavuye mu bwenge bw'umuntu bikoreshwa nyene vyo atarinze kubazwa.

Ni nko mu gihe bikoreshejwe n'abamenyeshamakuru mu ntumbero yo guha abenegihugu inkuru, iyo bishobora gufasha mu guteza imbere ubutunzi, intwaro canke mu vyerekeye amadini n'ibindi.

***2.3. Ingene uwutubahirije ubwo burenganzira ahanwa***

Ibwirizwa n°1/021 ryo ku wa 30 kigarama 2005 ryerekeye uburenganzira umuntu afise ku bikorwa vy'ubwenge bwiwe mu Burundi, ryarategekanije n'ibihano kuri uwo wese arenze amategeko yerekeye kwubahiriza amatungo mvabwenge.

Ingingo ya 93 ivuga ko uwo wese arenze ku mategeko yo kwubahiriza ivyavuye mu bwenge bw'umuntu, akabigira yabiteguye canke yirengagije ibivugwa mu ri rino tegeko, akaba kandi ariko abikora ku nyungu ziwe, ahanishwa umunyororo uva ku mezi 3 gushika ku myaka ibiri, n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 10 gushika ku muriyoni.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko sentare ibifitiye ububasha ifise uburenganzira bwo kugwiza na kabiri ivyo bihano mu gihe bigaragaye ko uwagirijwe icaha aguma yisubiriza mu kurenga ku mategeko dusanga muri rino bwirizwa.

Mu gusozera, twobamenyesha ko uburenganzira bwo kwubahirizwa mu vyahinguwe mvabwenge ari uburenganzira bwa zina kiremwa muntu wese.

Ubwo burenganzira buha akaryo nyene gukora ikintu ko kwiteza imbere no guteza imbere umuryango wiwe, akoresheje uburyo ahabwa n'ico yakoze akoresheje ubwenge bwiwe.

Ni na co gituma uwo wese akeneye gukora ikintu ico ari co cose yishimikije igikorwa cakozwe n'uwundi, ategerezwa kubisabira uruhusha.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Itangazo ry'inama y'Abepiskopi Gatorika b'i Burundi ryerekeye inama y'Ishirahamwe ry'amanama y'Abepiskopi b'ibihugu vya Afrika yo hagati

Itangazo ry'inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi ryerekeye inama y'Ishirahamwe ry'Amanama y'Abepiskopi y'ibihugu vya Afrika yo hagati (ACEAC) iheruka kubera i Roma kuva kw'igenekerezo rya 16 gushika ku rya 18 Gitugutu 2023

Kuva kw'igenekerezo rya 16 gushika ku rya 18 gitugutu 2023, Abepiskopi baserukira urwego nshingwabikorwa rw'Ishirahamwe ry'Amanama y'Abepiskopi b'ibihugu vya Afrika yo hagati (Uburundi, Urwanda na Republika iharanira Demokrasi ya Kongo), barakoraniye hamwe mu nama hariya i Roma mu gihe hariko harabera Inama Nsangizangendo ihuza Abaserukira Ekleziya yo kw'isi yose.

Icivugo nyamukuru c'i-yo nama kivuga giti : «Niwagure ihema ryawe» (Izaya 54,2) abantu bisange mu mahoro batunge batunganirwe.

Muri iryo koraniro bararabiye hamwe intererano y'Ekleziya Gatolika mu kugarukana amahoro mu karere k'ibiyaga bini-ni vya Afrika.

Barabonye ko intambara ziguma zisubiriza muri bino bihugu vyacu, abenegihugu bakamana intekera ku mutwe, ziri mu bituma ubukene bwaka indaro muri kano karere k'ibiyaga binini.

Baciye basaba ko abenegihugu bose bo muri bino bihugu vyacu botahura ko ari abavukanyi babwirizwa kubana mu mahoro, bubaha ubuzima n'agateka ka zina muntu bongera bafashanya kurondera iterambere rya bose.

Bariyemeje gukorana n'inzego z'ibihugu z'akarere na mpuzamakungu kugira ngo bafashanye kurandurana n'imizi in-



dyane n'imidurumbanyo bituma abenegihugu bagira ubukene butagira izina kandi mu karere kacu Imana yaraduhezagije amatungo kama.

Baratera akamo abo bose babandanya babiba amacakubiri, indyane n'urupfu mu karere kacu ngo bahinnduke, boye kwisamburirako nk'intungwa, ariko barondere kwubaka kazoza keza k'urwaruka.

Baciye bashimira abo bose bitanga batiziganya ngo umwizero w'ubutungane n'amahoro bigaruke mu bihugu vyacu.

Barahimirije kandi abarongoye intwaro muri kano karere ngo bihatire guhagarika amagorwa y'abenegihugu baba mu buseruko bwa Republika iharanira Demokrasi ya Kongo, mu gutsimbataza amahoro hagati y'ama Reta no hagati y'abenegihugu yegukiye, mu gushiraho ivya nkenerwa ngo dushobore kubana neza mu mahoro no mu muvukano.

Barasavye bashimitse kandi abenegihugu ba bino bihugu bitatu vyacu, cane cane urwaruka n'abakenyezi ngo bime amatwi imvugo zibiba urwanko n'amacakubiri.

Muri iyo ntumbero yoguharanira amahoro muri kano karere kacu, iryo Shirahamwe ry'Amana-ma y'Abepiskopi risa-nzwe ryarashinze ko, kuva mu mwaka w'2002, Idominika ya mbere y'Ubushikiro, yoba umunsi uhariwe gusaba amahoro muri ivyo bihugu bitatu.

Iyo nama iheruka kubera i Roma yafatiye aho, ica irashinga ko umunsi w'Imana wa mbere w'Ubushikiro w'uno mwaka (3 Kigarama 2023) hoba imisa yo gusaba amahoro, hanyuma iheze ico gisabisho kikabandiniriza mu rugendo rw'amahoro. Ivyo vyotunganywa mu madiyoseze n'amaparuwase yose yo muri kano karere kacu.

Hari n'ibindi bikorwa iyo nama yasavye ko vyotunganywa tuzoheza tukabamenyesha hageze.

Natwe Abungere banyu, turatumiye Abasaserdoti, abihebeyimana n'abakristu balayike bo mu maparuwase yose gutunganya neza iyo Nkuka y'Imisa n'urwo rugendo kugira ngo tugire urunani mu gusaba no mu guharanira amahoro muri ibi bihugu vyacu.

Bikira Mariya, Umugabekazi w'amahoro akaba n'Umutabazi w'abakristu, natubere mu ngoro, ngo turonke amahoro n'iterambere birama mu gihugu cacu no mu karere k'ibiyaga binini.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 7 Munyonyo 2023

***Kubw'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi***

***Musenyeri Bonaventure Nahimana Umukuru wayo***